Burundian Diaspora in Australia (BDA)
1 Fyfe Street
Hamilton VIC 3300
Melbourne - Australia
A.B.N: 32 608 593 442
info@burundinaustralia.org.au
www.burundinaustralia.org.au

Document No: 0029.

File Reference: 0029

Igenekerezo rya 3 twarante 2022

ITANGAZO KU BARUNDI BOSE BABA MURI AUSTRALIA NO MUYANDI MAKUNGU

Barundi Barundikazi namwe rwaruka, Turabaramukije Amahoro y'imana musumbavyose abane namwe mwese aho muherereye hose.

Kuri uno munsi wagatatu Ntwarante Umwaka wa 2022, Ubuyobozi Bukuru bw'Ishirahamwe Burundian Diaspora in Australia (BDA) Twipfuje kugira ico tubamenyesheje kunkuru tumaze iminsi tubona mumirwi ngurukana bumenyi nka Watssapp, Face book na Youtube zivuga ko hariho ibiganiro biteganya gusambura Diaspora Ndundi ngo hagatanguzwa iyindi diaspora nshasha.

Barundi Barundikazi namwe rwaruka duteze amaso; Ishirahamwe BDA ni ihuriro ry’ Abarundi baba mu gihugu ca Australia, ryashinzwe n’ Abarundi baba mu gihugu ca Australiya bo ubwabo nyene mu ntumbero yo kugira baronke ikibavugira, kandi bongera bashigikirane mu migambi n’ ibikorwa vyabo vyo kwiteza imbere mu gihugu babayemwo(Australiya), kandi hatibagiye no kuzirikana k’ uruhare rwa

buri umwe umwe wese kw’ iterambere ry’ igihugu cacu c’ amavukiro (Burundi).

Barundi Barundikazi namwe Rwaruka, tumaze rero gufata umwanya uhagije wo kwihweza neza, ibivugwa na Diaspora ndundi kurwego rw'Isi mu makete y’ ubutumire bashikiriza, uburyo inama zitumizwaho ata tegeko na rimwe ryisunzwe n' ivyiyumviro bishikirizwa n’ abarundi baba muri Australia dusanzwe duserukira, Ishirahamwe BDA (Burundian Diaspora in Australia, Ihuriro ry’ Abarundi baba mu gihugu ca Australiya), twasanze kandi twafashe icemezo ntakuka co kutitaba ivyo biganiro bariko baratunganya kubera imvo nyamukuru zikurikira:

- **Imvo ya mbere:** Amategeko agenga Diaspora Ndundi ku rwego rw’ Isi, aragena ukungene imirwi (Commissions) muri Diaspora Ndundi ishirwaho. Ishirahamwe BDA, urwego rusanzwe ruzwi kandi rwemewe ko rusekira Diaspora Ndundi mu gihugu ca Australiya, nta kete narimwe ryigeze rironswa ryerekana ko uwomurwi bavugako ujejwe gutatura amatati washizweho. Urwete rwa nyuma duheruka.
- **Imvo ya kabiri:** Ishirahamwe BDA, Ihuriro ry’ Abarundi baba muri Australiya kandi bavyifuza, ryarakurikiranye risanga ko ata muntu n’ umwe muri Australiya canke umurwi uwo ariwo wose wituye Urwo rwego werekana ko hariho ingorane muri Diaspora Ndundi ya Australiya.
- **Imvo yagatatu:** Ishirahamwe BDA riranenga cane inyifato igayitse kandi itubahiriza amategeko ngenderwako Ishirahamwe Diaspora ndundi k’uruhande rw’isi ikomeza kugaragaza mumikorere yaryo kuva aho ihinduriye intwaro. Ikaba rero ikomeza guhonyanga amategeko, gukorera mukinyegero aho gukorera ahabona, ukwiyinjiza mubibazo vy’ayandi

mashirahamwe nibindi bigayitse nkivyo. Akarorero twotanga ni ukugene iryo shirahamwe ribicishije murwego ndongora madiaspora yo kuruhande rw'isi (Organisation Pays) ryinjije binyuranije amategeko abanywanyi bashasha, Rikongera rikaka ijambo abarisanganywe atabwo hisunzwe itegeko narimwe. Canke ngo ribigisheko inama abasanzwe baramutswa uwo muryango. Ibi bikaba vyakozwe kuri Diasspora ya Australia muvugako mushaka gutaturira amatati. Kubwa BDA ibi vyerekanako atabushingantahe Mugaragaza kuko mwamaze kwiyaka ukutabogama bukenewe mugutatura amatati.

- **Imvo ya kane:** Ishirahamwe BDA nk' urwego rusanzwe ruserukiye Diaspora Ndundi muri Australia, twarasavye umubonano canke se inama yoduhuza n' abarongoye Diaspora Ndundi ku rwego rw' Isi mu ntumbero yuko boduha umuco, tugahanahana ivyiyumviro ku cokorwa kugira ivyo bita ingorane ziri muri Diaspora Ndundi ya Australiya zitorerwe umuti hisunze inzira ziteganywa n' amategeko, ubusabe bwacu n' ubu ntiburemerwa. Iyo nayo n' impamvu ihambaye ituma tudashobora kwitaba ivyo biganiro, ico kitaratorerwa umuti.
- **Imvo gatanu:** Mu butumire bwanyu bugira kabiri, intumbero y' iyo nama haravugwa ko hazoshirwaho urwego rushasha mbere hagatorwa n' irindi zina rishasha. Ishirahamwe BDA ntabwo rizokwigera rishigikira abantu basambura ivyubatswe. Mu Kirundi baca umugani bati; umuhini mushasha utera amabavu. Dusanga iyo ari inzira yo kudusibiza inyuma cane no gutesha agaciro intambwe Abarundi baba muri Australiya bari bamaze gutera mu nzira barimwo yo kwitunganya neza.
- **Imvo ya gatandatu:** Mu gihugu ca Australiya, Abarundi bahabaye baramaze kwitunganya neza ku buryo ata gitsure canke

ukuboko kw’ abandi bantu bavuye mu bindi bihugu vyohanze bakenewe ngo baze kudutegeka ibigomba gukorwa mu gutunganya urwego ruserukira Diaspora Ndundi ngaha. Dusavye Abarundi baba muri Australiya kwima amatwi abo bose bashaka kudusubiza inyuma.

Barundi Barundikazi, hejuru yizo mvo zitandatu kandi zumvikana, zerekana impamvu urwego BDA rudashobora kwitaba ico bita ibiganiro, ntitworangiza tutabatekereye ivyiyumviro n’ igikwiye gukorwa ngo dukomeze kubaka umuryango wa Diaspora Ndundi ukomeye kandi ufitiye n’ akamaro igihugu c’ amavukiro:

- **Iciyumviro ca mbere:** Hejuru y’ amategeko amashirahamwe yisunga mu gutunganya ibikorwa vyayo, Hariho n’ amategeko y’ igihugu ca Australia agenga imikorere yayo mashirahamwe. Umurongo canke uko Bipfuza ko twokwitunganya, bitandukanye n’ amategeko atugenga, haba mumashirahamwe turimwo canke ku ruhande rw’ amategeko y’ Igihugu.
- **Iciyumviro ca kabiri:** Ishirahamwe BDA, (Burundian Diaspora in Australia, Ihuriro ry’ Abarundi baba muri Australiya kandi bavyifuza) ryatunganijwe neza kandi ryugururiye amarembo abo bose bifuza kwifadikanya n’ abandi barahabwa ikaze umunsi kuwundi.
- **Iciyumviro ca gatatu:** Mu ngingo ya 10.3 y’ amategeko ihuriro ry’ Abarundi BDA, rigenderako, riraha ububasha amashirahamwe n’ imirwi ivyifuza kuba minywanyi (Member) ya BDA, Ishirahamwe naryo ryabaye rinywanyi, riraheza rigatanga umuntu waryo ariserukira mu rwego rukuru rwa BDA rurongoye kandi rufata ivyemezo muri Diaspora Ndundi ya Australia.

- **Iciyumviro ca kane:** Ishirahamwe BDA (Burundian Diaspora in Australia; Ihuriro ry’ Abarundi baba hanze kandi bavyifuza) rirabemereye ko aho hose bigarara ko hateye akangonangonwe mu mategeko arigenga, gatuma hariho abumva ko batokwifadikanya n’ abandi mu bikorwa vyo kubaka umuryango ukomeye kandi wunze ubumwe bw’ Abarundi bo muri Diaspora Ndundi ya Australia, ko inzira zitegekanywa n’ amategeko zizokurikizwa kugira amategeko ahinyanyurwe neza.

Mukurangiza, dusavye indongozi za Diaspora Ndundi ku rwego rw’ isi kwiyubara no kutajana nyabahururu mu gufata ingingo gihutihuti bafatiye ku makuru anyanyagizwa mw’ ibarabara no kumbuga ngurukanabumenyi, hakabaho kugisha inama abegwa n’ ikibazo imbere yo kubafatira ingingo zibirekeye. Dusavye kandi abarundi bose bari muri Australia gutanga ivyiyumviro vyabo vyubaka kugirango bizokwubakirweko munteguro shasha zitunganya amatora y’uno mwaka azoba muri AGM (annual general meeting) itegekanijwe mukwezi kwagatanu 2022.

Twibukije kandi ko ingingo zizova muri iyo nama zitazoba zega Abarundi benshi baba muri Australiya, n’ urwego BDA mu gihe ivyo twasavye bitokubahirizwa.

Murakoze

Bimenyeshejwe n'Uburongozi bukuru bwa BDA bubicishije k'Umunyamabanga mukuru waryo

Mr Joseph Majambere

Idokima ziherekeje ikete:

Amategeko ngenderwaho y' ishirahamwe BDA (cfr BDA's website at: https://www.burundinaustralia.org.au)

BDA's Membership Form / Ifomu yo kuba umunywanyi wa BDA

-

Bimenyeshejwe:

Ubuserukizi bwa Leta yu Burundi mu gihugu c' ubushinwa

Umukuru wa Diaspora Ndundi ku rwego rw' Isi

Abarundi baba muri Australiya bose